www.kidworship.kr

# El apóstol Pablo

- 22nd story -



120Page

**Uwuvuga** Sauli yari incabwenge ariko ntiyari azi Yesu. Si ivyo nyene gusa, yarananka n'abizera Yesu akabatoteza, akabapfunga. Yaragiye ku muherezi mukuru aramubaza:

**Sauli** Ndakwinginze usohore icete giha ububasha uwo ari we wese bwo gufata abizera Yesu babazane i yerusalemu.

**Uwuvuga** Sauli agenda I Damasiko gutoteza no gufata intumwa za Yesu.

---



121Page

**Uwuvuga** Ariko igihe Sauli yari yegereje i Damasiko, ubwo nyene umuco uvuye mw'ijuru umurasira imbere. Sauli ntiyashobora guhumura amaso kuko uwo muco warasa cane. Naho yazibije amaso ibiganza, ntiyashoboye kubona ikintu na kimwe ku bw'uwo muco mwinshi. Ubwo nyene yumva ijwi riva mw'ijuru:

**Yesu** Sauli, Sauli, uhamira iki abantu banje?

**Saulo** Uri nde ga databuja?

**Yesu** Ndi Yesu uriko urahama!

**Uwuvuga** Sauli ntiyizera ko Yesu ko yari umwami w'abayuda Imana yari yarasezeranye canke ko Yesu yabambwe akazuka, bituma atangara cane yumvise amajambo ya Yesu.

**Yesu** Sauli, va hasi winjire mu gisagara i Damasiko. Uraza kumenyeshwa ivyo utegerezwa gukora.



122Page

**Uwuvuga** Sauli arahaguruka ava hasi ariko yuguruye amaso ntiyasubira kubona, babantu bari bajanye nawe bamufata ukuboko baramurongora gushika i Damasiko.

---



123Page

**Uwuvuga** Muri iyo misi itatu Sauli yabaye impumyi kandi ntiyigeze arya canke ngo anywe ikintu nakimwe. Sauli arihana hanyuma asenga Yesu n'umuima wiwe wose.

---



124Page

**Uwuvuga** Muri ico gihe hari uwigishwa wa Yesu yitwa Ananiya yaba I Damasiko. Imana iramwereka.

**Yesu** Ananiya! Genda ku nzu ya Yuda ubaze umugabo yavuye I Tarushishi yitwa Sauli, kuko ariko arasenga. Umurambikeko ibiganza asubire kubona!



125Page



126Page



127Page

| | |
|---|---|
| Ananiya | Data, narumvise bamuvugako vyinshi Sauli. Sauli yakoreye amabi menshi abera bawe b'I Yerusalemu. Kandi yaje i Damasiko afise uruhusha rw'abaherezi bakuru rwo guhagarika umuntu wese avuga izina ryawe. |
| Yesu | Genda! Uyu muntu ni we nahisemwo ngo atware izina ryanje imbere y'abanyamahanga n'abami babo hamwe n'imbere y'abisirayeli. Nzomwereka ukuntu azobabazwa kubw'izina ryanje. |

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Ananiya agenda kuri nya nzu kuraba Sauli aca amurambikako ibiganza. |
| Ananiya | Mwene data Sauli, Umwami- Yesu, umwe yakubonekera mu nzira uriko uraza ngaha-yantumye kuguhumura ngo wuzure Mpwemu yera, |
| Uwuvuga | Ananiya ahejeje gusenga, ikintu kimeze k'imizane gikoroka kiva mu maso ya Sauli hanyuma yongera gusubira kuvuga. Sauli arahaguruka aca arabatizwa. Aca aba intumwa ya Yesu. |

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Ahejeje gufungura, Sauli agarukana ingoga hanyuma amara imisi myinshi I Damasiko ari kumwe n'abatumwa. Yaciye atangura kwigisha mu ma sinagogi ko Yesu ari umwana w'Imana. |
| Sauli | Yesu ni umwana w'Imana. Ni mumwizere! |
| Umugabo | Iki? Uyu si wa mugabo yahama abigishwa ba Yesu akabahagarika? |
| Umugore | Ni vyo!ibi vyoshika gute? Hariko haba iki? |
| Uwuvuga | Abantu bose baratangara. Ariko Sauli abandanya akomera mu kwerekana ko Yesu ari Kristo. |

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Haheze imisi itari mike, abayuda bashaka kugandagura Sauli ariko amenya imigabo yabo. Ijoro n'umurango bazibira amarembo y'igisagara kugira no bamwice, ariko abakurikira Sauli bamujana mw'ijoro bamwurutsa mu giseke mucanzo kiri ku rohome kugira ngo ashobore kuyanyaga. Uwo Sauli niwe yabaye intumwa yabaye icamamare Paulo. Naho Paulo yaciye mu magorwa n'ibibazo, yarihanganye abandanya avuga ijambo ry'Imana mu bihugu vyinshi. Yanditse kandi ibitabo 13 kuri 27 bigize isezerano risha rya Bibiliya Yera. |